# Gukorera hamwe mu gushigikira inyigisho n’iterambere ry’abana

Nk’ umuvyeyi, uri umuhinga ku vyerekeye umwana wawe kandi urafise ico umaze gikomeye cane ku gukura kwiwe. Uwo ni wo mushinge w’ igikorwa dukora mu mugambi wo kwitaho impinja n’imicuko wa NC (ITP).

Dukorera ibikorwa umwana mu bibanza kandi mu buryo butuma umwana wawe hamwe n’umuryango bamara umwanya, nko mu nzu yawe, ku kigo co kwitaho umwana canke mu gihe co gufungura.

Abakozi bavyigiye bakorana na ITP biciye mw’ishirahamwe rikora ibikorwa vyo guteza’imbere umwana (CDSA) bazokuyobora ku kugene ukoresha ibikorwa vya buri musi vy’umuryango wawe kugira bafashe umwana wawe kwiga hamwe no gutera imbere biciye mu biyago vyawe.

Umukozi wa CDSA hamwe n’uwukora igikorwa bakoresha ukwigisha kugira bagufashe wewe hamwe n’abandi bitaho abana gushigikira umwana wawe mu kwiga hamwe no mu gutera imbere.

## Integuro

Mu ntango ya buri rugendo, wewe hamwe n’uwugukorera igikorwa muzovuga ivyerekeye icabaye hagati y’ingendo. Menyesha uwugukorera igikorwa ivyo wagerageje hamwe n’ivyakunze hamwe n’ibitakunze ku muryango wawe. Gusangira ico arico cose gishasha canke cahindutse k’umwana wawe canke umuryango wawe. Ku rugendo rwawe rwa mbere, wewe uzotunganya integuro uri kumwe n’uwugukorera igikorwa. Uzosuzuma iyo nteguro hamwe n’iterambere ry’umuryango wawe mu gihe c’ingendo zizokurikira.

## Kwihweza

Uwugukorera igikorwa arashobora kugusaba kuraba uko wewe hamwe n’umwana wawe mukina kandi muyaga. Biciye muri uyu mwihwezo, uwugukorera igikorwa arashobora kugusaba kukwereka uburyo bushasha bwo kugufasha gushigikira iterambere ry’umwana wawe.

## Umwimenyerezo

Hanyuma niwe uba uramukiwe. Uwugukorera igikorwa arashobora kugusaba kwimenyereza ubwo buryo weretswe. Muri kumwe, muzokwimenyereza inzira nshasha yo gushika ku mahangiro wipfuza ko umwana wawe ashikako hamwe n’umuryango wawe hakoreshejwe akamenyero ka misi yose hamwe n’ibikorwa.

## Kwiyunvira

Wewe hamwe n’uwugukorera igikorwa muzoyaga ku vyerekeye uburyo mwagerageje mu gihe c’uru rugendo. Muzoyaga igituma wibaza ko ubwo buryo bwakoze canke butakoze. Muri kumwe muzokwubakira kuri ubu bumenyi kugira mushike ku mwimbu wageneye umwana wawe hamwe n’umuryango wawe.

## Inyishu

Uzoronka inyishu hamwe n’amakuru uhawe n’uwugukorera igikorwa uko muzogenda mukorana mu kumenya uburyo bubereye ku muryango wawe.

## Integuro

Mu mpera y’urugendo rwawe, uwugukorera igikorwa azogufasha gutegura integuro y’ivyo uzogerageza hagati y’ingendo. Hanyuma muzogena isango rikurikira muri kumwe hanyuma muyage ku vyerekeye ivyo uzokorerako mu gihe c’urwo rugendo.

**Igisata ca NC Department of Health and Human Services • Umugwi ujejwe ukubaho neza kw’umwana hamwe n’umuryango • Ubutabazi bwihutirwa Igice •** www.dhhs.gov • www.ncdhhs.gov/itp-beearly •
NCDHHS itanga amahirwe angana mu gutanga akazi hamwe no mu gukora ibikorwa. 07/2019, 09/2022, 05/2023, 10/2023, 07/2024.

NC DEPARTMENT OF HEALTH AND HUMAN SERVICES
Division of Child and Family Well-Being